*Ruhuhuma 2025* *kirundi*

# Ubaka ibiraro!

---

**Yagira abandi umwizero ukwuzuye!**

(1, Petero 3,15)

**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: m.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

Bakunzi ba go4peace,

Muri uyu mwaka, aho umuvyeyi wacu Papa Francisco adutumirira kuba abagira urugendo rweranda dufise umwizero, Yuliyano aradusabikaniriza „igihe gkomeye c'umwizero", afatiye ku vyamushikiye mu buzima bwiwe :

Agira ati: „Nari nigiriye umugambi wo kumara umwaka muri Amerika y'epfo. Nshitseyo mpura n'uwundi dusangiye umuhari, ariko nkimubona numva ntampimbaye na mba. Nca nibwira nti : nizere ko urya batazodushira mu murwi umwe. Ariko vyabaye ukundi.

Nti ntaco, reko ngire nk'uwutamubona. Ivyo bimara indwi bigenda neza. Hanyuma we nyene aratangura aramvugisha. Mu ntango nibwira nti ntaco bimara akanya gatoyi. Ariko we, yansavyo ko hari uco nomufasha. Aratangura anyagira ivy'ubuzima bwiwe. Numva birankozeko. Yari yaciye mu bintu vyinshi handi vyari vyaramukomerekeje ku mutima. Niho nategera ko bwa bundi yari umuntu nkanje, afise ubwoba n'umwizero, afise indoto be n'ibimugora.

Naramaramaye nibutse ingene nari nabanje kumucira urubanza rubi mu mutima. Twarahavuye turahuza imitima, turaganira vy'ukuri. Ivyo vyashobotse kubera gusa we nyene yari yubahutse akamvugisha."

Ingo muri uku kwezi kwa kabiri twifatanye na Yuliyano muri iki civugo: *Ubaka ibiraro!*

Ku bwa go4peace Team Meinolf Wacker